REPUBLIQUE DU BURUNDI

MINISTERE DE LA CULTURE
ET DES SPORTS
CABINET DU MINISTRE

Bujumbura, le / /2019

N/Réf. 226.01/CAB/ /2019

**ITANGAZO RY'UBUSHIKIRANGANJI BW'IMICO KAMA AKARANGA N'INKINO.**

Ubushikiranganji bw'Imico Kama Akaranga n'Inkino buramenyesheje abarundi ko bwababajwe bwongera buranegura ingendo y'akarwi kagizwe n'abashatse kwiba no kwiyitirira umurisho w'ingoma z'UBURUNDI.

Tukaba dufashe kano kanya ngo twiyamirize abo bose bariko baragerageza gushaka gukoresha mu nzira zitarizo, no kwiyitirira ingoma z' UBURUNDI babanje kuzambura akaranga n'amateka yazo, haba mu nyambaro canke muvyerekana nyezina inkomoko y'ingoma aribwo BURUNDI bwacu, ndetse no mukudakwirikiza amategeko asanzwe yisungwa mu kuvuza ingoma.

Abo bene gushaka kwiyitirira ingoma zisanzwe zarandikishijwe n'igihugu c'UBURUNDI ku rutonde rwa UNESCO rw'ibigize itunga ndangakaranga ry'isi yose, hakaba hari kw'igenekerezo rya 26 munyonyo umwaka w'2014, mu masanamu yerekanywe bavuga ko bagizwe n'abarundi hamwe n'abanyarwanda, bakaba bompi barungitswe na Reta y'URWANDA mu mahiganwa yitiriwe « East African's Got Talents » yabereye mu gihugu ca kenya kw'igenekerezo rya 18 myandagaro, 2019.

Boulevard Melchior NDADAYE N°54, B.P. 1095 BUJUMBURA. Tél. (257) 22 22 69 82 – (257) 22 22 68 22

Twokwibutsa ko ico gihugu c'URWANDA hari vyishi tudahurizako muvy'imigenderanire ubu naho kikaba kigeze aho gishaka kwiyitirira ingoma z'UBURUNDI.

Ico twomenyesha n'uko ako karwi kavugije izo ngoma kahonyanze amabwirizwa n'amateka yose agenga ingoma z'Uburundi na cane cane ingingo ziri mw'itegeko rya Nyen'icubahiro umukuru w'igihugu inomero 100/ 196 ryo kwigenekerezo rya 20 gitugutu 2017 ritomora neza ingene ingoma z'Uburundi zivuzwa mu BURUNDI no mu makungu.

Twokwibutsa kandi ko ingoma z'UBURUNDI ari itunga kama ryitirirwa UBURUNDI, itunga ridatizwa canke ngo rigurishwe, twarazwe na ba sokuru, ata numwe arekuriwe kugerageza kuryiyitirira ndetse ngo yihe ububasha bwo kurikoresha mu nzira zidahuye n'imico n'imigenzo y'abarundi.

Ni itunga ndangakaranga atahandi na hamwe worisanga kw'isi atari mu gihugu c'UBURUNDI.

Turaremesheje abarundi bose, na cane cane abatimbo tubamenyesha ko tugiye gukwirikiranira hafi ico kibazo kijanye no kwiba no gusambura imico n'akaranga vy'UBURUNDI.

Mu gusozera, tuboneyeho akaryo ko gusaba abarundi bose kwama bitwararika na ntaryo kugendera imico n'akaranga vy'igihugu cacu.

UMUSHIKIRANGANJI W'IMICO KAMA
AKARANGA N'INKINO

Pelate NIYONKURU

Boulevard Melchior NDADAYE N°54, B.P. 1095 BUJUMBURA. Tél. (257) 22 22 69 82 – (257) 22 22 68 22